
Bibiliya y'Abana
Ishikirije



# Igisoda Gitoyi Ca Gideyoni

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson


Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.








Yosuwa amaze gupfa, abantu b’ab’isirayeli baciye bagarariza Imana kandi bayikura m’ubuzima bwabo. Imana ireka abamidiyani b’ababanyi babo baturira ivyimburwa vyabo hamwe n’inzu z’ab’isirayeli. Ab’isirayeli bategerezwa kuba muvyobo.



Umw'isirayeli umwe yari afise ahantu hinyegeje atera ingano ziwe. Hanyuma yazisekurira mukibanza cihishije, musi y'igiti kinini. Abamidiyani ntibari bazi aho ico kibanza kiri, ariko Imana yari ihazi! Imana irungika umumalayika agenda ashiriye ubutumwa Gideyoni.
3


Imana yashaka ko Gideyoni asambura ibishushanyo vy'ikigirwamana ca Se wiwe, kugira ngo yubake igicaniro c'Imana nya mana. N'aho Gideyoni yatinya ko ababanyi biwe boca bamwica, aca akora ico Imana yategetse.
4



Imana isaba kandi Gideyoni kurongora ingabo z'ab'isirayeli mukurwana n'abamidiyani. Ariko Gideyoni aratinya. Aca asaba ikimenyetso kidasanzwe comwereka ko Imana irikumwe nawe. Aca ashira ubwoya bw'intama kumbuga.
5


Gideyoni abwira Imana ati: "Nihaza urume kuri buno bwoya ariko imbuga ikaguma yumye, aho nzoca menya ko Uzokiza Isirayeli uyikirishije ukuboko kwanje, nk'uko wabivuze" bukeye mugitondo, imbuga yari yumye, ariko UBWOYA BWARI BUTONZEKO URUME BUKANYE!
6


Gideyoni asubira gukekeranya. Ubu naho yashaka ko Imana izana urume kumbuga, ariko ubwoya bukaguma bwumye. Igitondo gikurikira, imbuga yari ikanyishijwe n'urume, ariko UBWOYA BWARI BWUMYE!
7



Gideyoni ajana ingabo zingana n'abantu 32.000. Imana iragabanya abo bantu gushika kubantu 300. Ntiyashaka ko ab'isirayeli bavuga ngo "ukuboko kwanje niko kwankijije". Imana yonyene niyo yari umukiza wa Isirayeli.
32000
10000
300
8

Ibonye ko Gideyoni yari agifise ubwoba, Imana ica imwumvisha ikiyago cariko kiba hagati y'abasoda babiri b'abamidiyani, bariko bavugana indoto umwe muribo yari yarose. Muri iyo ndoto, umutsima w'ingano waje urwa kw'ihema y'abamidiyani urarisambura.



9

Umurinzi umwe aca aratinya cane. Aca avuga ati: "Iyo....ni inkota ya Gideyoni..." Gideyoni amaze kwumva iyo ndoto n'insobanuro yayo, aca amenya ko Imana igiye kumuha intsinzi.




10

Gideyoni ategura igitero co mw'ijoro. Aca aha umusoda wese inzamba n'inkono atakirimwo ishobora kujamwo urumuri. Bakikuza ingabo z'abamidiyani.




11

Gideyoni abahaye ikimenyetso abasoda baca bavuza inzamba, bamena zankono zabo badomeka na vyabimuri. Mbega urwamo! Mbega ukuzazanirwa! Abamidiyani batinye baca barahunga.



12

Inyuma y'iyo ntsinzi ihambaye, abantu b'ab'isirayeli baca basaba Gideyoni kubabera umurongozi. "Nawe arabishura ati: Sinzobarongora." Yari azi ko Imana yonyene ariyo ifise uburenganzira bwo kurongora ubuzima bw'umuntu.



13

Igisoda Gitoyi Ca Gideyoni

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Abacamanza 6-8

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

14




15

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16